Bibiliya y'Abana
Ishikirije



Umwana akundwa ahindutse umugurano

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Kerr; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Isaka yari anezerewe cane. Umuhungu wiwe Yakobo yari yagarutse i muhira. Na Esahu yamwakiranye igishika n'aho yari yasezeranye ko azomwica. Ariko abahungu ba Yakobo ntibari banezerewe kuko Yozefu, mutoyi wabo yariwe mwana se yakunda cane.

Bakuru ba Yozefu barushirije kumwanka cane amaze kubarotorera indoto yari yarose. “Umuganda wanje wahagaze wemye. Iyanyu yikubita imbere y’uwanje” ari Yozefu ababarira. Iyo ndoto yasigura ko Yozefu azoba uwuhambaye kurusha bakuru we.





Mundoto igira kabiri Yozefu yarose abona izuba, ukwezi n'inyenyeli vyikubita imbere yiwe. Na se wiwe Yakobo vyaramushavuje kuko yumva Yozefu agomba kwigira ko ahambaye kurusha se na bakuruwe.

Umusi umwe Yakobo arungika Yozefu mumirima iyo bakuru we bari baragiye imikuku. Bakuruwe bamubonye akiri kure, baca baravugana "Karosi tumwice". Yozefu we ntiyamenya ko abangamiwe.



Reyubeni, imfura mubo bavukana, wewe ntiyabishimye. Aca avuga ati: “Ntidusese amaraso. Ehe ikinogo, tumuteyo azopfireyo!” Reyubeni yarafise intumbero yo kuza gutorokesha Yozefu mw’ijoro.



Yozefu amaze gushika aho bakuruwe bari, baca baramufata, bamwambura ikanzu se Yakobo yari yaramukoreshereje nk'umwana akunda cane. Maze baca bamuterera muri cakinogo.



Mu gihe Reyubeni atari kumwe nabo, haje abantu bafise indogoba nyishi biriko baja muri Egiputa baca aho bari.
"Yozefu tumugurishe" mukuru we Yuda niwe yabivuze.
Umugambi uzoba ukunze.



Baca bagurisha Yozefu intete z'amafaranga 20.

Abiraba yuzuye ubwoba, Yozefu yarihweza ibiriko biramubako ariko ntaco yashobora gukora kuko indogoba imitwaye yari munzira imujanye kure cane y'umuryango wiwe n'igihugu c'amavukiro.





"Mbega ikanzu ya Yozefu? Yose yari yuzuye amaraso. Twamusanze mubugaragwa." Abavukanyi b'abicanyi bashatse kwemeza Yakobo ko umwana yakunda cane ko yishwe n'igikoko mw'ishamba. Yakobo yitaburirako impuzu ziwe hama ararira. Ntawashobora kumuhoza.

Muri Egiputa,Yozefu yaratinya cane kandi yari wenyene. Kumbure yarisinzirirako aho yaba ari? Ariko ntiyashobora kuhava. Yari umugurano munzu kwa Potifari, umunyegiputa yari ahambaye cane. Potifari ahava abona ko Yozefu akora cane imisi yose kandi ko ashobora no kumwizera.

Umusi ur'izina, Potifari abarira Yozefu ati: "Ivyo ukora vyose bigenda neza. Imana irikumwe nawe. Nipfuza ko uba umukoresha mukuru mubakozi banje bose kandi urabe n'ivyo ntunze vyose."



Imana iha Potiifari umwimbu mwishi n'itunga ryishi kubwa Yozefu. Amaze no kuba umuntu ahambaye, Yozefu abandanya kwizera Imana no kuyikorera mubwizigirwa. Ariko haza abansi ba Yozefu.



Umugore wa Potifari yari umugore w'inkozi y'ikibi. Asaba Yozefu ko yoryamana nawe. Yozefu aranka. Ntiyashaka gucumura ku Mana no guhemukira Potifari. Uwo mugore amaze kumugora, Yozefu ariyirukira. Ariko muka Potifari aramufata asigarana impuzu yiwe.

Aca abibwira umugabo wiwe: "Wa mugurano wawe yanteye. Raba n'impuzu yiwe ng'iyi!" Potifari aca arashavura cane. Birashoboka ko yamenye ko umugore wiwe ariko arabesha. Ariko yategerezwa kugira ico akoze. Ariko nkore iki?

Potifari ashira Yozefu mw'ibohero.



N'aho ata caha yari yakoze, Yozefu ntiyagize inzigo canke ngo bimushavuze. Kumbure muri ivyo bihe bigoye yahigiye ko aho yoba ari hose, yubashe Imana, nayo izomwubahisha naho yoba ari mw'ibohero.

Umwana akundwa ahindutse umugurano

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 37, Itanguriro 39

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16